Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI




Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusi-ziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°770 01 Mukakaro 2022

# Ihimbazwa rya Yubile y'imyaka 50 ya paruwase Ryarusera, muri diyoseze Bujumbura



Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Anatolie NIYIMPAYE

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Musenyeri Simoni Ntamwana yaraye atanguye akaruhuko kiwe k'iza bukuru

Ku musi wa mbere wa Pentekoti y'uyu mwaka wa 2022 wahuriranye n'igenekerezo rya 6 ruheshi, ni ho uwahoze ari Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega, Nyenicubahiro Musenyeri Simoni NTAMWANA yimukira aho agiye gutangurira akaruhuko kiwe k'iza Bukuru.

Aho naho ni mu Gisata Rango ca Paruwase Mushasha i Gitega, mu nzu nkuru y'Umuryango w'-Abatumwa Buzurizamana we nyene yatanguje.

Soma ku Rup. 4



*Amasanamu yo mu bubiko*

## Ibirimwo

o Patiri Ruraseheye Vincent, ni nde?....6
o Uburundi bugiye kugira intara 5 n'amakomine 42....7
o Ukuri ku vyabaye mu Burundi kuzoteba kumenyekane....9
o Uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu....10

# Idominika ya 14, Abamaratiri b'Ibuganda, Umwaka C

## Igisomwa ca mbere: *2 Abapfiriye Israyeli: 7,1.2. 9- 14*

Ivyo dusoma mu gitabu ca kabiri c'Abapfiriye Israyeli :

*(Hakurenga amabwirizwa ya ba sokuru, twopfuma dupfa)*

Umunsi umwe, abavukana indwi bafatirwa rimwe na nyina wabo; umwami Antiyokusi yashaka kubahatira ku nyama z'ingurube itegeko ribuza, abagomorerako ababakubita inkoni, abarekurirako n'ibikoko. Umwe arabaserukira ati: "Mbe ushaka kutubaza iki? Hakurenga amabwirizwa ya Data, twopfuma dupfa." Uwa kabiri nawe, mu gihe yariko aracikana avuga ati: "Wa mugesera we, udukuye muri ubu buzima bw'ubu, yamara Umwami w'isi azotuzurira ubuzima budahera, kuko dupfiriye amategeko yiwe."

Hanyuma y'uyo, bafata uwa gatatu, bamwica nabi. Buno nyene asokorora ururimi nkuko babimutegetse, atarika amaboko adatinya, aca avugana ubutwari ati: " Ijuru ni ryo ryampaye izi ngingo z'umubiri, mugabo kubera amategeko yaryo ndazirenza amaso, kandi ni ryo nizigiye ko rizozinsubiza."

Umwami na we nyene n'abagendanyi biwe bagwa mu gahundwe kubera ubutwari bw'uwo musore yaraba nk'ubusa ivyo kubabara. Igihe uno amariye gupfa, bazana uwa kane bamugira nk'uwa mbere. Bugingo ari mu gucikana, avuga ati: "Wopfuma wicwa n'abantu, iyo wizigiye ko Imana ari yo izokuzura; ariko wewe ntuzokwigera ugabana ubuzima budahera."

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyaroma: 8, 31-39*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma :

*(Ntakizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana rwamenyeshejwe muri Kristu Yezu Umukama wacu)*

Ncuti zanje :

Ko Imana isanzwe itugwanira, ni inde yotugwanya? Ko itimanye Umwana wayo bwite, ariko ko yamuduhebeye twese, icoyitesha noneho kutugabira ibisigaye vyose kuri uno Mwana n'iki? Ni inde azokwagiriza abatowe n'Imana? Mbega Imana siyo ibagira intungane? Ni nde azobacira urwo gutsindwa? Mbega ni Yezu Kristu kandi ariwe yapfuye agaheza akazuka, akaba kandi ariwe yicaye iburyo bw'Imana akatwambariza? Ni nde azodukura ku rukundo rwa Kristu? Mbe ni amarushwa canke ni amaganya, ni uruhamo canke ni inzara ni ukubura ico twambara canke amakuba canke ni inkota? Nkako handitswe ngo: " Twirigwa turicwa bakuduhora, noneho twari tumeze nk'intama z'imbagwa." Ariko muri ivyo vyose, turatsinda kubera uwadukunze.
Egome, ndavyemera ntakekereza: nta rupfu, nta buzima, nta n'abamarayika canke intwaramiheto zo mw'ijuru, nta n'ibiriho canke ibizoza, nta n'ibifise ububasha canke ibiri mu kirere canke ibiri mu kuzimu, nta n'ikiremwa na kimwe kizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana twamenyeshejwe muri Kristu Yezu Umukama wacu.

## Inkuru nziza : *Matayo : 5, 1– 12*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Hahiriwe abafise umutima ushima ubworo:*
*kuko Ubwami bw'ijuru ari ubwabo.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Muranezerwa muhimbarwe kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru)*

Yezu abonye ishengero rikoranye, aduga ku gasozi; ngo amare kwicara, abigishwa biwe baramwegera. Araheza atangura kuvuga, abigisha muri aya majambo: "Hahiriwe abari n'umutima ushima ubworo: kuko ubwami bw'ijuru ari ubwabo! Hahiriwe abitonda: kuko bazotorana isi! Hahiriwe abari mu marira: kuko bazohozwa! Hahiriwe abashonje n'abanyotewe ubutungane: kuko bazoshira ipfa! Hahiriwe abanyakigongwe: kuko nabo bazokigiririrwa! Hahiriwe abari n'umutima mwiza: kuko bazobona Imana! Hahiriwe abaremesha amahoro: kuko bazokwitwa abana b'Imana! Hahiriwe abahamwa bahorwa ubutungane: kuko Ubwami bw'ijuru ari ubwabo! Muzoba muhiriwe nibababatuka, bakabaremera amabi yose kubwanje: muranezerwa muhimbarwe, kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru!"

***SOMA NDONGOZI***
***ANDIKIRA NDONGOZI***
***KUNDISHA NDONGOZI***
***TERERA NDONGOZI***

# Umunsi mukuru w'Abamaratiri b'Ibuganda

« ***Muranezerwa muhimbarwe kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru***».

Gihugu ceranda c'Imana, uyu munsi turiko duhimbaza Abamaratiri b'i Buganda bapfiriye Imana hakuyihemukako. Nimuze rero dusabikanye Ijambo ry'Imana, maze :

Ubwa mbere dusabe ngo Umukama Imana aduhe kuryakira n'ukurigendera, ridurtyororere ivyiyumviro n'ivyipfuzo vyacu bitamezeko, dukunde Imana kuruta vyose mu buzima bwacu.

Ubwa kabiri, dusabe Umukama ngo natwe Abamaratiri b'i Buganda bame batubera akarorero mu kwitanga twitangira abandi mu kwemera gushitse, mu rukundo rwiyibagira, mu kwizigira nka bo ko ubuzima budaherera ngaha kw'isi.

Yezu ati : « ***Muranezerwa muhimbarwe kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru***».

Mu mwaka w'1964, niho Nyen'Ubweranda Papa Paulo wa 6 yatangaza icese ko abakristu 22 bapfiriye Imana mu Buganda mu mwaka w'1886 ari aberanda. Abo Bamaratiri benshi bari bakiri bato nk'imyaka 25, Kizito we ngo ntiyarenza imyaka 13. Matiyasi Murumba niwe yari ahumuye gato, ashikana imyaka 50.

**None mwibaza ko mu kubica, babagiriza iki?**

Abariko babica bashaka kubahambirira k'ugukora ivyo amabwirizwa y'Imana ababuza, eka nyene nk'uko vyabaye ku Bapfiriye Imana muri Israeli. Ni ukuvuga ko babahoye ko basenga. Abandi babahoye ko bagumije ibanga bakanka gushurashuzwa. Barerekanye ubutwari budasanzwe mu kurinda rugabo ububabare kuko bamwe baturiwe babona, abandi baratemagurwa.

Muri ukwo kwemera kwabo babaye bamwe dusanga mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohani (7,13-14), ngo : « Umwe wo muri ba Batama, ambwira ati : Aba bambaye ivyambarwa vyera ni bande?Bavuye hehe ? Nanje nishura nti : Muhanyi, ni wewe wobimenya. Nawe ati : Abo ni abarokotse ya makuba bamesuye ikanzu zabo bazeresha amaraso ya wa Mwagazi. »

Abo bana b'Ekleziya nibatubere akarorero, batwigishe kwihambirira ku mabwirizwa y'Imana; amaraso basheshe acike akabuto nyako k'ubukristu bwacu, k'ukwemera kwacu.

Kubona abantu bemera gupfa hako bahakana Imana canke ngo bemere canke bakore igiteye kubiri n'-ishaka ry'Imana ni vyo vyojijura abahama abaKristu uyu munsi.

Uyu munsi mukuru w'Abamaratiri utwibutsa n'abandi bapfiriye Imana bahorwa ukwemera kwabo, bakemera amarushwa, ugukandamizwa n'urupfu rw'agashinyaguro hako bahemuka kw'Ijambo ry'Imana.

Mu gisomwa ca mbere batwiganira ingene imvukane indwi na nyina wabo (abasangiye umuryango umwe, abafise umutima umwe, abumvikana kuko basangiye vyose) bemeye bagasangira n'ukwihereza Imana, baheba ubuzima bwabo hako bayihemukira.

**Mbega aba bo bazize iki ? Bishwe na bande?**

Bapfuye kuko banse kugamburukira amategeko mabi yari yashinzwe n'Umwami: guhatira abantu kurya inyama z'ingurube itegeko ribuza. Gurtyo baca bicwa n'abobakingiye.

Ico twotahuramwo ni uko imizi canke amamuko y'ububisha bwose biri mu mutima mubi w'abari bajejwe kubakingira, kandi dutahure ko amategeko mabi yose yica, akonona ubuzima. Abakuru, abajejwe gushinga n'ukwiga amategeko bokwama baraba ingaruka mbi canke nziza ziri muri yo ku bo bajejwe.

Mu gupfa, umwe ati : «Wa muyobe we ! Utubariza iki? Twopfuma dupfa hakurenga amabwirizwa ya ba Data !!» Abandi nabo bati: « Ntiduhemukire Imana Yo Mwami w'abami. Wopfuma wicwa n'abantu, iyo wizigiye ko Imana ari Yo izokuzura. »

Ng'ayo amajambo yabongerereza ubutwari bakarinda rugabo, bakemera ububisha bw'abariko barabica nabi mu kubakubita, bakabaterera ibikoko ngo bibatabagure. Bari baranyuzwe n'indero nziza ishimikiye ku mabwirizwa y'Imana bari barigishijwe : amabwirizwa yabatuma bayoboka Imana, bakagumya umutima, bakanka gukora igishimisha umwami n'ingabo ziwe, ntibakurikiza ivyo kamere y'umuntu ikunda ngo barye ivyahumanye ; gurtyo bahimbara Imana. Ng'aha rero ahari ubuhirwe bw'ukuri, « muranezerwa muhimbarwe kuko impera yanyu izoba nini mw'ijuru».

Paulo Mweranda ati : «Ko Imana isanzwe itugwanira, ni nde yotugwanya ?....Mbe ni nde azodukura ku rukundo rwa Kristu ? Mbe ni amarushwa canke amaganya, ni uruhamo canke ni inzara, ni ukubura ico twambara canke ni amakuba canke ni inkota?....Egome, ndavyemera ntakekereza, nta rupfu, nta n'ikiremwa na kimwe kizodukura ku rukundo rw'Imana twamenyeshejwe muri Yezu Kristu Umukama wacu.»

Ese natwe twokwama tubigana kugira ngo tumenye ko igishikiye ubuzima bw'umwe kiba gishikiye n'ubw'uwundi; dutabarane, dushigikirane, twongere dusabiranire mu makuba.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Musenyeri Simoni Ntamwana yaraye atanguye akaruhuko kiwe k'izabukuru

*(Bitangurira ku rup.1)*

Kuva ku Kirimba c'Umwungere Mukuru, yagiye aherekejwe n'Umwungere mushasha yamusubiriye, musenyeri Bonaventura NAHIMANA, abagize Inama mpanuzwajambo yiwe, abasaserdoti n'abihebeyimana cane cane abaserukiye imibano iri mu Gisagara ca Gitega no mu micungararo yaco.



Aho mu kigwati ca Rango, yasanganiwe n'Abatumwa Buzurizamana mu mashami yabo uko ari atatu, asanganirwa kandi na Musitanteri wa Komine Gitega, Umwe mu bahanuzi ba Buramatari w'Intara ya Gitega, Muganga Yakobo NDUWIMANA ; Inama iyoboye ico kigwati mu vy'intwaro, n'isinzi ry'abakristu n'abandi bantu bakibamwo.

Inyuma y'imigirwa y'uguhezagira inyubakwa yashikiramwo, ijambo ry'ikaze ryashikirijwe na Mama Godeliva MIBURO ayoboye Umuryango w'Ababikira Batumwa ba Bikira Mariya Inabwuzure, ishami rimwe muri atatu agize umuryango w'Abuzurizamana.

Yarakengurukiye abemereye uwo muvyeyi kuza gutangurira akaruhuko kiwe muri uwo mubano, ati: «Ku bwanje, naho ari hato, igikuru nuko umutima w'abamwakiriye wagutse. Nkako nyene, ukwakira umuvyeyi nk'uwo hagati yacu ni iteka n'itunga.»

Mw'ijambo Musenyeri Bonaventure yashikirije kw'izina ry'abaje bamuherekeje, yatanguriye ku gukengurukira Imana ku myaka mirongo ibiri n'itanu Musenyeri Simoni NTAMWANA yari amaze arangurira ubutumwa muri Diyoseze nkuru ya Gitega. Ayishikanye aja mu karuhuko k'iza bukuru aciyumva, akibasha n'ugushishikara ubutumwa bw'Umwungere.

Yaramenyesheje ko ari we yisabiye kuza kuruhukira muri uwo mubano kugira ngo abe hafi y'abana yibarutse mu kwemera, ashishikare abafasha gukura no gutera imbere ngo nabo bashikire igihagararo kizima Umukama abagenera mu Muryango w'Ekleziya.

Yabandanije ijambo amenyesha ko yashimye n'ingene ingoro ashikiyemwo yateguwe neza kandi imubereye mw'iteka ryiwe. Yaramwereye ko batazohengeshanya kuhamusanga bamuhanuza, bamusaba inyigisho bazi ko ashishikara ababera umuvyeyi.

Asaba abasaserdoti, abihebeyimana n'abandi bakristu bahorana ko, bobandanya baza kumugendera kumwe nyene no mu migenzo myiza y'abarundi ba sogokuru bahimbarwa n'ukubona abuzukuru n'abuzukuruza baza kubaganiriza mbere rimwe na rimwe n'ukubakinisha bakabakinisha.

Yerekeje iryo jambo kw'ishengero ryose ryari aho muri rusangi, yaramenyesheje ko uwo Mwepiskopi naho aje mu karuhuko ubutumwa bw'Umwepiskopi azobubandanya yunze ubumwe n'abandi bepiskopi b'isi yose.

Ibanga ry'ubwepiskopi ararigumana kandi akarirangura nkuko Ekleziya ibitegekanya.

Mu maparuwase azokomeza atanga isakramentu ry'ugukomezwa muri Mutima Mweranda ; mu miryango y'abihebeyimana azotumwa kwakira indagano kandi ateko yame yifatanya n'abakristu bazoba baramukanye imisi mikururu ibasagiriza ivyiza vy'Imana. Ntazorangura ubwo butumwa gusa ngo nuko Umwungere mukuru wa Diyoseze atabishoboye. Oya! Nuko kandi binakenewe ko aguma yiyumva mu muryango w'abakristu ntahave yibaza ko yazanywe aho azohava yibagirirwa.

Ntiyibagiye gukengurukira n'abagize Umuryango w'Abatumwa Bu-zurizamana yibarutse mu kwemera. Abasaba kubandanya bakomeza ubutumwa yabatangurije bw'ugusamiriza Inkuru nziza y'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, igihugu c'Uburundi n'Ekleziya ikivyagiyemwo bikeneye cane.

Yabatumiriye kumwitwararika rwose abamenyesha ko habaye ikigorana bokimenyesha kare kuko aguma ari uw'Ekleziya ibwirizwa kubandanya imubungabunga nk'umuvyeyi yayikoreye akayitangira.

Yasozerereye ku cipfuzo ciwe c'uko Umukama yobandanya amuronsa amagara y'umubiri n'ay'umutima, akaroranirwa mu misi azomuha kumara, arambane iteka, akanyamuneza, umugisha w'Imana, aronse kandi igihugu c'Imana kubandanya kigabana ku vyiza no ku ngabirano Imana yamuhaye.

Mw'ijambo rigufi yashikirije, Musenyeri Simoni NTAMWANA yashimikiye ku majambo ya Pawulo mweranda aho avuga ati : « Noba ndarwiciriye ntamenyesheje Inkuru nziza » ( 1 Kor 9,16).

*Ibik. urup.12*

# Ihimbazwa rya Yubile y'imyaka 50 ya Paruwase Ryarusera, muri Diyoseze Bujumbura



Ku wa 25 Ruheshi 2022, niho Paruwase Ryarusera yahimbaje Yubile y'imyaka 50 imaze ivutse. Uyo munsi mukuru wari witabwe cane cane n'imvukira za Paruwase, incuti n'abagenzi ba paruwase, abasaserdoti, abihebeyimana cane cane b'imvukira hamwe n'isinzi ry'abakristu.

Inkuka ya misa ikaba yari irongowe na Nyenicubahiro Gervasi Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze Gatolika Nkuru ya Bujimbura.

Mu nyigisho yiwe, yafatiye ku civugo Paruwase Ryarusera yari yatoye mu ntumbero yo guhimbaza iyo Yubile, ico civugo naco kigira kiti : « ***Nk'uko mwakiriye Yezu Umukama, ni kube ariko mugendera muri we....no mukurushirizaho mu gukenguruka.*** » Abanyakolosi 2, 6-7.

Yarakengurukiye cane abakristu bitanze mu nteguro y'iyo yubile, agirako anatumirira abakristu ba Ryarusera kurushiriza gusenga kugira ngo bakomere mu kwemera babone gutera i-mbere mu bukristu kandi bateze imbere paruwase yabo.

Yaranabakebuye ati : «Mbega ko ndabemereye ko Bugarama izoba paruwase mu mwaka uza, abanyaryarusera muzosigara hehe ? »

Inkuka y'imisa irangiye habaye akaryo ko gutanga ubushimwe ku bantu bose bitanze kugira Paruwase igume ihagaze, na cane cane mu bihe ubuteegetsi bwari bwirukanye abasaserdoti b'abamisiyonari.

**Paruwase Ryarusera yavutse ryari?**

Paruwase Ryarusera yatanguye mu mwaka w'1972. Imbere yuko iba paruwase, yari ishure rikukira paruwase Rushubi kuva mu mwaka w'1946.

Yatanguriye mu Gatando, hanyuma yimukira mu Ryarusera kuva mu mwaka w'1954. Yashinzwe n'itegeko ry'uko ibaye paruwase kw'igenekerezo rya 2 Ruhuhuma 1972.

Kuva m mwaka w' 1972 gushika ubu, Paruwase Ryarusera irimwo abakristu babatijwe bakiri abana 19579 n'abatijwe bakuze 8608.

Ryarusera ni Paruwase imwe mu maparuwase 9 agize intara y'Ubutumwa bwa Muramvya. Ikaba igizewa n'amashure 5 ari yo : Bugaramama, Kirari, Kiyenzi, Rucunda, Ruhinga, Nteko

Paruwase Ryarusera imaze kwibaruka abasaserdoti 11, muri bo, batanu baramaze kurenguka i bukama. Ifise abihebeyimana 11 b'ababikira n'umwe w'umufurera.

**Muti ni bande bagiye barayiyobora ?**

Abagiye barayiyobora, harimwo abasaserdoti n'abamenyeshamana (bivanye n'ibihe Uburundi bwaciyemwo) :

- Kuva mu mwaka w'1972 gushika 1980 : **Patiri Joseph Dedominicis**

- Kuva mu mwaka w'1980 gushika 1981: u**mushingantahe Leonce Nahokamwe**

- Kuva mu mwaka w'1981 gushika 1985 : **Umushingantahe Emmanuel Manwangu**

- Kuva mu mwaka w'1985 gushika 1988 : **Patiri Joachim Kayoya**

- Kuva mu mwaka w'1988 gushika 1990 : **Patiri Andre Runobagaza**

- Kuva mu mwaka w'1990 gushika 1993 : **Patiri André Sezerano**

- Mu mwaka w'1993 : **Patiri Salvator Mpawenayo**

- kuva mu mwaka w'1993 gushika 1998 : **Patiri Marius Nicoyizigamiye**

- Kuva mu mwka w'1998 gushika 2003 : **Patiri Vital Girukwayo**

- Kuva mu mwaka w'2003 gushika 2019 : **Patiri Déo Tuhabonye**

- Kuva mu mwaka w'2019 gushika ubu : **Patiri Fulgence Habonimana**

Twobamensha ko umusi mukuru wabandanirije mu kanyamuneza k'umuvukano, abashitsi n'abasangwa basangira ivya yubile.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Patiri Ruraseheye Vincent, ni nde?


Patiri Vincent Ruraseheye ni mwene Ruraseheye Victor Ndyana Marie. Yavuse igenekerezo rya 8 Ndamukiza 1949 ku mutumba wa Nonwe, Paruwase Giteranyi, Komine Giteranyi, Diyoseze Muyinga.

Amashure matomato yayize mu Giteranyi kuva mu mwaka w'i 1956 gushika 1961 (umwaka wa mbere gushika mu mwaka wa kane), Umwaka wa 5 n'uwa gatandatu yayize mu Rugari, kuva mu mwaka w'1961 gushika 1963.

Igice ca mbere c'amashure yisumbuye yakigize mw'iseminari ntoyi y'i Muyinga (kuva mu mwaka w'7 gushika mu mwaka w'12 : igisata n'ikiratini n'ubuhinga) aho hari kuva mu mwaka 1963 gushika 1969.

Umwaka wa nyuma w'amashure yisumbuye yawurangirije mw'iseminari ntoyi y'i Mugera mu gisata c'indimi bita muri ico gihe «Rhétorique» kuva mu mwaka w'i 1969 gushika mu mwaka w'1970. Mu mwaka w'1970 niho yinjira mw'iseminari nkuru y'i Bujumbura, ahakurikirانira ivyigwa vya filozofiya na teologiya gushika mu mwaka w'i 1976.

Mu mwaka w'i 1975, niho yatirwa mw'ibanga ry'Ubudiyakoni, hari muri paruwase ya Kanyinya. Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti igenekerezo rya 3 Mukakaro 1976 muri paruwase ya Rugari.



**Aho yagiye ararangurira ubutumwa**

Kuva mu mwaka w'i 1976 gushika 1979, yagenywe kuba icegera ca patiri wa paruwase Muyinga. Mu kwezi kwa gatandatu yagenywe kuba icegera ca patiri mukuru i Murore, kw'igenekerezo rya 21 uko kwezi nyene agenwa kuba patiri mukuru wa paruwase Ntega gushika mu kwezi kwa 12 uyo mwaka nyene w'1979. Kuva mu mwaka w'i 1979, igenekerezo rya 18 kigarama 1979 gushika 1982, yagenywe kuba patiri mukuru wa paruwase Giteranyi.

Kuva mu mwaka w'i 1982 gushika mu 1983, yari ashinzwe ikigega muri paruwase ya Muyinga. Kuva mu mwaka w'i 1983 gushika mu 1994, yari patiri mukuru wa paruwase Rugari. Kuva mu mwaka w'i 1994 gushika mu mwaka w'2004, yari patiri mukuru wa paruwase Muyinga.

Kuva mu mwaka w'i 2004 gushika muri 2005, yari umuyobozi wa caritas ya diyoseze ashinzwe kandi n'inyigisho za Bibiliya (Formation biblique) i Roma. Kuva mu mwaka w'i 2005 gushika mu mwaka w'2007, yagenywe kuba patiri mukuru wa paruwase Ruzo.

Kuva mu mwaka w'i 2007 gushika mu mwaka w'i 2009 yabandanirije ivyigwa vya teologiya mw'ishure Kaminuza y'i Roma (Pontifico Instituto di Roma spiritualità Teresianum), ari naho kandi yakurikiranye ivyigwa ndoramana nkomezamutima (Théologie spirituelle), mbere akaharonkera n'urupapuro rw'umutsindo rwa Licence en théologie spirituelle.

Patiri Vincenti Ruraseheye yaciye agaruka mu mwaka w'2019, aba umurezi mw'iseminari nkuru y'i Bujumbura, aho yari ashinzwe ubutumwa bwo kwigisha no kuba umuvyeyi w'umutima (Père spiriritue).

Kuva mu mwaka w'2019 gushika muri 2022, yari mu karuhuko muri paruwase ya Muyinga kandi akaba n'umwibutsamana mw'ibohero rikuru rya Muyinga.

Patiri Vincent Ruraseheye yitavye Imana mw'ijoro ryo ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 17 Ruheshi 2022, mu Bitaro vya Centre Médical de David vy'i Gasenyi ka Muyinga.

Adusigaranye akarorero keza k'umusaserdoti yitonda, yicisha bugufi, agendera ibanga, afise akanyamuneza n'ugukunda ubutumwa kandi akabwitangira.

Patiri Vincent Ruraseheye arengutse i Bukama akwije imyaka imyaka 73 y'amavuka, harimwo n'Imyaka 46 y'ibanga ry'ubusaserdoti.

Umukama Imana yari yamwitoreye nawe akamwitaba kandi akamwihebera, akamubera umutumwa w'intaruha kandi w'intahemuka, n'amuronse uburuhukiro budahera mu bwami bwiwe.

*Patiri Evariste HARERIMANA*

# Uburundi bugiye kugira intara 5 n'amakomine 42

Itanganzo ry'inama y'abashikiranganji N°11 yo kw'igenekerezo rya 15 Ruheshi 2022-06-22.

Kw'igenekerezo rya 15 ruheshi 2022, Inama y'Abashikiranganji yarakoraniye i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi Jenerari Majoro Varisito Ndayishimiye.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama Nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 11 na 13 Ruheshi 2022. Ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari biri ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushigikiranganje wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira :

1. Integuro y'ibwirizwa rishinga imbibe z'intara, amakomine, amazone, imitumba n'ama karitiye mu gihugu c'Uburundi, yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Uburundi bugizwe n'intara cumi n'umunani (18), amakomine ijana na cumi n'icenda (119), amazone amajana atatu na mirongo itatu n'icenda (339) n'imitumba n'amakaritiye ibihumbi bi biri n'amajana icenda na cumi (2910) ku buringanire bungana kirometero kwadarato ibihumbi mirongo ibiri n'indwi n'amajana umunani na mirongo itatu na bine (27834 km2).

Kuva Uburundi bwikukiye, harabaye ishingwa kenshi ry'imbibe z'intara, amakomine, amazone canke imitumba. Aha twovuga :

Mu mwaka 1962, igihe hashingwa intara umunani 8 . Mu mwaka 1982, intara zavuye ku gitigira ca munani (8) ziba cumi na zitanu (15) n'amakomine ijana na cumi n'ane (114).

Mu mwaka w'1998 haravutse intara ya Mwaro, zica ziba cumi na zitandatu (16). Mu mwaka w'2005, igisagara ca Bujumbura catanguye gufatwa nk'intara, amazone nayo afatwa nk'amakomine. Mu mwaka 2015 havutse intara ya Rumonge.

Baravye amategeko yagiye arakurikirana, amazone, imitumba canke amakaratiye, zishikirijwe, zishingiye kuri ibi bikurikira :

* Gutunganya neza ishirwa mu ngiro ry'umugambi wo kwegereza ubutegetsi abene gihugu
* Kwisunga ingene intwaro mu gihugu hagati itunganijwe mu bihugu dusangiye vyo muri aka karere;
* Gushiraho amakomine ashobora kwibeshaho ;
* Gushiraho intwaro yegereye abenegihugu ;
* Gukomeza ugukorerahamwe hagati ya Reta n'abigenga ;
* Kugabanya uburyo Reta yahora ishira mu makomine ;
* Kugabanya uburyo amakomine yahora akoresha no kugwiza aharihishwa amakori n'amatagisi.

Kugira ngo izo mbibe nshasha zishingwe, mu vyisunzwe harimwo ibi bikurikira :

- Ingene ahantu hegeranye hafi na hafi n'ingene abantu basanzwe babayeho ;
- Ico ahantu hamwe hose hisangije n'ivyobafasha gutera imbere ;
- Ingene amakomine ashobora kwibeshaho mu vy'ubutunzi, ukwuzuzanya kw'uturere tugiye hamwe ;
- Imbibe kama n'ibitigiri vy'abantu ;
- Ukwuzuzanya kw'uturere tugiye hamwe ;
- Ingene ivyankenerwa kubenegihugu bishobora kubegera.

Hisunzwe ivyo, intara zaciye ziva kuri cumi n'umunani (18) zija kuri zitanu (5) ari zo z'izi zikurikira:

I. Intara ya **BUJUMBURA** igizwe n'amakomine akurikira.

- Bubanza
- Bukinanyana
- Cibitoke
- Mpanda
- Mubimbi
- Muha
- Muhuta
- Mukaza
- Mugina
- Mugongo-manga
- Ntahangwa

Umurwa mukuru w'i-ntara ni **Bujumbura**

**II. Intara ya BUHUMUZA igizwe n'amakomine akurikira :**

- Butaganzwa
- Butihinda
- Cankuzo
- Gisagara
- Gisuri
- Muyinga
- Ruyigi

Umurwa mukuru w'intara ni Cankuzo

III. Intara ya **GITEGA** igizwe n'amakomine akurikira :

- Bugendana
- Gishubi
- Gitega
- Karusi
- Kiganda
- Muramvya
- Mwaro
- Nyabihanga
- Shombo

Umurwa mukuru w'intara ni **Gitega**

IV. Intara ya **BURUNGA** igizwe n'amakomine akurikira

- Bururi
- Matana
- Makamba
- Mpinga-Kayove
- Mabanda
- Rumonge
- Rutana

Umurwa mukuru w'intara ni **Makamba**

V. Intara ya **BUTANYERERA** igizwe n'amakomine akurikira :

- Busoni
- Matongo
- Kayanza
- Kiremba
- Kirundo
- Muhanga
- Mwumba
- Tangara

Umurwa mukuru w'intara ni **NGOZI**

Ibik. urup.8

# Uburundi bugiye kugira intara 5 n'amakomine 42

*(Bitangurira ku rup.7)*




Ama komine yavuye kw'ijana na cumi n'icenda (119) aba mirongo ine n'abiri (42), ama zone n'imitumba navyo biragwizwa mu ntumbero yo kwegereza ubutegetsi abenegihugu, kuko amazone yavuye ku majana atatu na mirongo icenda n'icenda (399) aba amajana ane na mirongo ine n'indwi (447), imitumba nayo iva kubihumbi bibiri n'amajana icenda na cumi (2910) iba ibihumbi bitatu na mirongo itatu n'indwi (3037).

Inama nshikiranganji imaze guca jirya no hino iyo nteguro, yabonye ko igikorwa cakozwe gihambaye cane, ica irayemeza.

Ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira :
- Umugwa mukuru wa komine ntahangwa, wo-ba ari umugwa mukuru wa komine Mutimbuzi y'iki gihe ;

- Gukorana n'ibisata bibifisemwo ubuhinga kugira uburinganire bw'intara canke amakomine n'amazone bwandikwe uko buri;

- Gutegura igicapo (ikarata) yerekana ingene intara, amakomine, a-mazone n'imitumba bigabuwe ;

- Gutora ayandi mazina ku mitumba yitiranwa iri muri komine imwe ;
- Iri bwirizwa rimaze guterwako umokono , gukora ibishoboka kugira ngo imigwa mikuru y'intara ironke ibikenewe vyose bijanye n'umgwa mukuru koko ;

- Gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu ntwaro yo mu gihugu hagati ;

- Gusubiramwo amategeko yose bisabwa ko asubirwamwo kubera iyi ntunganyo nshasha y'intwaro hagati mu gihugu;

- Kurondera uburyo bwose bukenewe kugira ngo iyi ndinganizo nshasha ije mu ngiro

- Gushira iyi nteguro mu rurimi rw'ikirundi

## Ivyasabwe Imana mu masengesho y'Umukuru w'Igihugu

Muri ico gikorane co kwigina imyaka ibiri iheze umukuru w'Igihugu Evarisito Ndayishimiye arongoye Uburundi, afashe ijambo, Umukuru w'Igihugu yavuze ko ico gikorane c'imisi itatu kazoba akaryo ko gushimira Imana kubona yarahezagije igihugu amahoro n'umutekano, irakingira Uburundi ntibwasinzikazwa n'ikiza Colona.

1. Ubutungane busasagaye
2. Ko abahunze bohunguka
3. Ubenge kundongozi
4. Kurwanya abarya ibiturire
5. Kuvavanura n'agatima k'ubwiyorobetsi

Umukuru w'Igihugu Evaristo Ndayishimiye amenyesha kandi ko kazoba akaryo ko gusaba Imana kuko hakiriho ivyo igihugu kigikeneye. Aha avuga :

Umukuru w'igihugu Evarisito Ndayishimiye yavuze kandi ko kazoba akaryo ko gusabira amahoro ibihugu vyo mu karere hamwe n'isi yose.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ukuri ku vyabaye mu Burundi kuzoteba kumenyekane

«Bimwe mubizogarukana amahoro mu Burundi, ni ukuri kuriko kuramenyekana ubu». Uko niko Petero Claver Ndayicariye, umukuru w'umurwi w'igihugu ujejwe kumenya ukuri n'ukurekuriranira abivuga. Hari mukiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa 24 Ruheshi 2022, aho yariko avuga ku kuri gushasha bamaze kumenya ku mabi yibanze yabaye imbere yuko haba ubwicanyi bwo mu mwaka w'-1972.



Ayo mabi avugwa yabaye imbere y'umwaka w'1972 ni:

**1. Iyicwa ry'abantu bahurikiye muri Syndicat y'abakozi bo mu Kamenge.**

Ubwo bwicanyi bwabaye mu mwaka 1962. Umurwi CVR ujejwe kumenya ukuri n'ukurekuriranira ku vyabereye mu Burundi urafise inkuru y'imvaho y'abishwe, ingene bishwe hamwe n'ababishe.

Abo bantu b'inzirakarengane bo mu Kamenge ngo bishwe n'urwaruka rwo muri JRR rwegamiye umugambwe UPRONA w'ico gihe.

**2. Urupfu rwa Musenyeri Gihimbare Gabriel mu mwaka w'1964.**

Uwo musenyeri yaraheje kugenwa na Papa Paulo wa VI ngo abe Umwepiskopi azokorera mu ngata Umwepiskopi Antoine Grouls yari arongoye Diyoseze nkuru ya Giteka.

Ibijanye n'ubwicanyi bw'-uwo Musenyeri bivugwa n'abatandukanye kandi ugutandukanye.

«Ariko inkuru twakuye muri komine Giheta aho uwo musenyeri yavuka, inkuru twahawe n'Abaseredoti bakuze bari basangiye umuhamagaro, izo nkuru zaduhaye umuco udasanzwe». Uko niko Petero Claver avuga.

Mu makuru yose umurwi CVR ufise, benshi bahuriza yuko Musenyeri Gabriel Gihimbare yapfuye inyuma yo kuja gusezera abasirikare bahora bakorana mu ntara ya Kirundo, ku mupaka w'Urwanda n'Uburundi, kuko yari umwibutsamana mukuru mu gisirikare, akaba yaraheje kugenwa mu yandi mabanga bidakundako



*Abo ni Umukuru w'umurwi CVR akikijwe n'icegera c'iwe n'umunyamabanga w'umurwi CVR*

azobangikanya no kuba umwibutsamana mu gisirikare.

Abagenzi biwe, harimwo umwibutsamana azwi kw'izina rya Mahwera, ngo boba bari bamubujije gukora urwo rugendo, rwo kuja gusezera, ariko wewe aruhuka agiye.

Uwo musenyeri ngo yazize ishari ry'abataneze-rewe n'ukugenwa kwiwe mu mabanga yo kurongora Diyoseze nkuru ya Gitega.

**3. Urupfu rw'umushikiranganji wa mbere Pierre Ngendandumwe itariki ya 15 Nzero 1965.**

Amatohoza umurwi CVR wakoze, yerekana ko uwo mushikiranganji wa mbere yishwe mu ma sa-mbiri z'ijoro, mw'ijoro ry'uwa 15 Nzero 1965 inyuma y'-indwi imwe agenwe mu mabanga y'umushikiranganji wa mbere. Abagirijwe ubwicanyi bwa Pierre Ngendandumwe bose, barafashwe barapfungwa, ariko bapfungurwa atanakanya gaheze.

Muri ico cegeranyo nyene, Petero Claver Ndayicariye yaravuze iyicwa ry'abagirijwe gushaka gutembagaza ubutegetsi muri Busangana bwa Bukeye i Muramvya mu 1965.

Ico kiganiro casozerewe n'ibibazo vy'abamenyeshamakuru. Aho twovuga nk'ikibazo c'amakenga ko ivyo bintu bizura akaboze, bigashobora gutuma abarundi binubana bifatiye ku bwoko.

Umukuru w'umurwi ujejwe ukuri no kurekuririrana avuga ko muvyo bamaze gukora n'amatohoza bamaze kugira, nta ngaruka mbi n'imwe iribonekeza ku bijanye n'imigenderanire y'abantu mu kibano. Ku bwa Claver Ndayicariye, ngo «uko hamenyekana ukuri, niko imitima ikira. Ababikoze n'ababikorewe bose bararuhuka ku mutima»



*Abo ni abamenyeshamakuru bari bitavye ico kiganiro*

**IMélance Ndayikeze**

# Uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira ijambo mu ntwaro y'igihugu ciwe yiserukiye we nyene canke aciye ku bamuserukira. Umuntu wese akwije ibisabwa n'amategeko arashobora gushingwa amabanga yo mu gihigu ciwe.

Uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Ku rwego mpuzamakungu, amasezerano atandukanye arategekanya ko umwenegihugu wese afise uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu ciwe.

Ingingo ya 21 yo mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira ijambo mu ntwaro y'igihugu ciwe, akabigira yiserukiye we nyene ubwiwe canke abicishije ku bamuserukira batowe mu matora atunganijwe neza. Vyongeye, umuntu wese arashobora gushingwa amabanga mu ntwaro y'igihugu ciwe.

Ingingo ya 25 yo mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ivuga ko umwenegihugu wese afise uburenganzira n'ububasha, ata gucagura na kumwe, bwo gushobora kuja mu vyo kurongora igihugu, we nyene ubwiwe canke biciye ku bantu yitoreye mu mwidegemvyo.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko umwenegihugu wese ashobora gutora canke kwitoza mu matora aba ategekanijwe mu gihugu, amatora akozwe ku mugaragaro, aho umuntu wese atanga ijwi ryiwe mu mwiherero no mu bundi buryo bwose bugaragaza ugushaka kw'abantu mu mwide-gemvyo.

Agace ka gatatu k'iyi ngingo kavuga ko umwenegihugu wese ashobora gushingwa amabanga yo mu ntwaro y'igihugu ciwe.

Ingingo y'7 yo mu masezerano mpuzamakungu yo kurandurana n'imizi ivyo vyose bikumira umukenyezi, ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zikenewe kugira ngo haranduranwe n'imizi ikumirwa ry'umukenyezi mu ntwaro no mu buzima bw'igihugu, bikanamuha ububasha bungana n'ubw'abagabo mu vyerekeye :

* gutora no gushobora gutorwa mu nzego zose zikeneye amatora,
* gufadikanya n'abandi mu gushinga no kurangura imigambi ijanye n'intwaro y'igihugu,
* gushobora gushingwa amabanga ay'ari yo yose mu nzego z'igihugu,
* hamwe no kuja mu mashirahamwe ategamiye Reta ariko akaba afise ico avuga ku vyerekeye ubuzima n'intwaro vy'igihugu.

Ingingo ya 13 yo mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu, ivuga ko abenegihugu bose bafise uburenganzira bwo kudakumirwa mubiraba intwaro y'igihugu cabo. Bashobora kwiserukira mu ntwaro canke bagaserukirwa n'abo bitoreye mu mwidegemvyo, hisunzwe amateka n'amategeko agenga igihugu.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu, n'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mugihugu c'Uburundi, amategeko atandukanye arategekanya ko umwenegihugu wese afise uruhara mu bijanye n'itunganywa ry'ivy'igihugu ciwe.

Ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwa-shizeko umukono.

Ingingo y'7 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko abenegihugu ari bo soko ry'ubutegetsi mu gihugu, ni bo bitorera ababaserukira ngo barangure amabanga y'intwaro canke bakifatira bonyene ingingo zirongora igihugu biciye mu matora.

Ingingo y'8 ivuga ko umwenegihugu wese akwije ibisabwa n'amategeko afise uburenganzira bwo gutora. Mw'itora nta jwi riruta irindi, kandi umuntu wese atora mu mwiherero, uko ashaka, agatorera ahazwi.

Mu gutora, abenegihugu bashobora kwitorera bo nyene abategetsi canke bagatora ababaserukira mu gutora abo bategetsi nk'uko bitegekanijwe n'ibwirizwa.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko abarekuriwe gutora hakurikijwe igitabu c'amategeko agenga amatora ari abarundi bakwije imyaka cumi n'umunani kandi atakibakumira mu mabanga y'igihugu.

Ingingo ya 51 ivuga ko umurundi wese afise uruhara mu vyerekeye itunganywa ry'ivy'igihugu, yiserukiye we nyene canke biciye ku bamuserukira ariko bidateye kubiri n'amabwirizwa abitegekanya nk'ayerekeye imyaka y'amavuka n'ayerekana ababikwiye. Umurundi wese arashobora kandi gushingwa amabanga yo mu gihugu ciwe.

Ingingo ya 71 nayo ivuga ko umurundi wese ashinzwe canke yatorewe amabanga y'igihugu ategerezwa kuyarangurana umutimanama, ubuntu,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu

*(Bitangurira ku rup.10)*
ubutwari n'ubukerebutsi ku neza ya bose.

Ingingo ya 87 ivuga ko uburenganzira bwo gutora bwubahirijwe.

Ingingo ya 88 nayo ivuga ko amatora aba mu mwidegemvyo, ku mugaragaro, akurikije amategeko. Ibandanya ivuga ko ibwirizwa rigenga amatora ari ryo ribitomora.

Mu ntumbero yo kubahiriza uburenganzira bwo kugira uruhara mu ntwaro y'igihugu, ingingo y'169 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko Inama Nshingamateka igizwe n'imiburiburi n'abashingamateka ijana barimwo 60% b'Abahutu na 40% b'Abatutsi, bose hamwe harimwo n'imiburiburi abashingamateka b'abakenyezi 30% batowe n'abenegihugu batorewe ikiringo c'imyaka itanu harimwo n'abashingamateka batatu b'Abatwa bongeweko nk'uko Ibwirizwa rigenga amatora ribitegekanya.

Ingingo ya 4 y'Ibwirizwa n°1/11ryo ku wa 20 rusama 2019 rigenga amatora mu Burundi ivuga ko umurundi wese akwije imyaka 18 igihe c'amatora kandi atakimukumira mu mabanga y'igihugu afise uburenganzira bwo gutora.

Ingingo ya 5 irerekana abantu batarekuriwe gutora naho baba bakwije imyaka isabwa n'amategeko. Abo nabo ni abapfunzwe ivy'agategenyo, abapfunzwe kubera bariko bakora igihano baciriwe na sentare, abashizwe mu minwe ya Reta ku bw'icaha bakoze, abagwaye indwara zo mu mutwe baba mu bigo bagwariyemwo canke ahandi.

Ingingo ya 6 nayo ivuga ko umuntu yagiriwe n'icaha naho aba yatezuriwe, adashobora gutora gushika harangiye igihe c'umunyororo yari yaraciriwe cose.

Umuntu ashobora kandi kugira ijambo mu ntwaro y'igihugu mu kuronswa akazi mu nzego za Reta.

Ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 23 myandagaro 2006 rigenga abakozi ba Reta rirategekanya ibisabwa kugira umuntu yemererwe gukora akazi ka Reta.

Ingingo y'9 ivuga ko uwemererwa aba : ari umurundi, ataragirwa n'icaha gihanishwa umunyororo ungana canke urenza amezi atandatu, afise imigenzo myiza kandi akunda igihugu, atarirukanwa mu kazi ka Reta, ashikana imyaka 18, afise urupapuro rw'umutsindo n'uburambe mu kazi hamwe no kuba yemejwe n'umuganga abifitiye ububasha ko ashoboye gukora akazi.

Nk'uko twabonye ko amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'igihugu ategekanya uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu, uwo wese atubahirije ubwo burenganzira arahanwa nk'uko amategeko atandukanye abitegekanya.

Ingingo ya 220 y'ibwirizwa rigenga amatora ivuga ko umukozi wese wa Reta yiyamamaje mu masaha y'akazi ahanishwa ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi amajana abiri gushika ku bihumbi amajana ane vy'amafaranga y'amarundi.

Ingingo ya 222 ivuga ko uwo wese yagiriwe n'ugutanga amahera, kwemera gutanga akazi ka Reta canke k'abigenga canke ubundi burusho, mu ntumbero yo kwosha umuntu ingene azotora, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka itatu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi amajana umunani gushika ku miriyoni umunani z'amafaranga y'amarundi.

Ingingo ya 226 ivuga ko uwo wese yagiriwe no gukoresha inguvu canke gutera ubwoba uwugiye gutora ko ashobora gutakaza akazi, kugira ingorane we nyene ubwiwe, umuryango wiwe canke ubutunzi bwiwe mu gihe atotora uko ategetswe, ahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi amajana umunani gushika ku miriyoni zine canke agahanihwa igihano kimwe muri ivyo conyene.

Ingingo ya 157 yo mw'itegeko n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ivuga ko mu gihe umukozi yakuwe mu kazi amategeko adakurikijwe, umukozi ategerezwa gusubizwa mu kazi.

Umukozi n'umukoresha badahurije kuvyo gusubizwa mu kazi, umukoresha ategerezwa guha indishi y'akababaro uwo mukozi yakuwe hahonyanzwe amategeko.

Indishi y'akababaro ishingwa n'umucamanza hakurikijwe ingaruka umukozi yagize kubwo gukurwa mu kazi.

Umukoresha ategerezwa kandi guha umukozi yakuwe indishi yuko yakuwe atabimenyeshejwe n'indishi yo gukurwa mu kazi. Izo ndishi zose ziharurwa hisunzwe imyaka umukozi yaramaze mu kazi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umwenegihugu wese afise uburenganzira bwo kugira uruhara mw'itunganywa ry'ivy'igihugu biciye mu matora, yiserukiye we nyene canke biciye ku bamuserukira kandi ararekuriwe gushingwa amabanga mu ntwaro y'igihugu ciwe.

Ubwo burenganzira umwenegihugu ahabwa n'amategeko birabujijwe ko abwakwa n'umuntu n'umwe naho yoba ari uwujejwe amabanga y'igihugu.

Ivyo bikibonekeza mu bihano amategeko ategekaniriza uwohonyanga ubwo burenganzira nk'uko twabibonye.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Musenyeri Simoni Ntamwana yaraye atanguye akaruhuko kiwe k'izabukuru

(Bitangurira ku rup.4)

Yarakengurukiye Umungere Mukuru yakiriye icipfuzo co kwimukira muri ico kibanza. Yarahejeje araserura imvo yabimutumye: ubwa mbere ngo nuko abo babikira ari abavukanyi biwe basangiye ubutumwa bw'ukwigisha Inkuru nziza y'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe.

Ikindi catumye ashima kubana na bo, ni ukugira ngo hamwe na bo kandi aremeshejwe na bo, abandanye aremesha ubwo butumwa nkuko babusangiye mu buryo buhimbaye muri Diyoseze ya Gitega no mu yindi micungararo.

Yasozereye avuga ko uwo ari wo mwitwarariko agumana mu buzima bwiwe bwose mbere akipfuza ko yobandanya abusangira n'Umwungere mukuru amusubiriye, abasaserdoti b'Umukama n'abakristu bose guhera ku bari bamuherekeje n'abari baje kumusanganira bamwereka ubukengurutsi n'urukundo bamufitiye.

Igisabisho kimwe gusa yavuze ko comwama mu mutima no mu bwenge, ari ukubandanya yigura



Inkuru nziza ya Kristu itwigisha kunywana n'Imana n'abavukanyi, twatsitaranyeko naho tugaheza tukavoma muri iyo Nkuru nziza nyene y'ukurekuriranira n'ugusubizaa hamwe.

Umusi mukuru wabandanirije mu kanyamuneza k'umuvukano, abashitsi n'abasangwa basangira kw'ishishiro ryaherekeje uwo mwungere no ku gitereko cari categekanijwe n'Abuzurizamana.

**Dismas NTAHOMVUKIYE**

# Abavugizi b'inzego n'ibitangazamakuru mu Burundi bahamagarwa gusenyera ku mugozi umwe




*Uwo ni Léocadie Ndacayisaba, Umushikiranganji ajejwe gutumatumanako amakuru, ubuhinga ngurukanabumenyi n'ibimenyeshamakuru*

Ku magenekerezo ya 23 na 24 Ruheshi 2022, Ubushikiranganji bujejwe gutumatumanako amakuru, ubuhinga ngurukanabumenyi n'ibitangazamakuru, bushigikiwe n'ubuserukizi bw'ubufaransa mu Burundi baratunganije inama yari yatumiwemwo abavugizi b'inzego zitandukanye hamwe n'abayobozi b'ibitangazama-kuru mu Burundi.

Nk'uko vyashikirijwe na Léocadie Ndacayisaba, Umushikiranganji ajejwe gutumatumanako amakuru, ubuhinga ngurukanabumenyi n'ibimenyeshamakuru, ngo umwuga wo kumenyesha amakuru uratera imbere cane muri iyi myaka bivuye kw'ikoreshwa ry'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru. Kubera ivyo, abajejwe gutanga amakuru nabo, aribo bavugizi b'inzego, ngo bategerezwa kujana n'ibihe, no kumenya ibikenewe vyotuma bakorana neza n'ibitangazamakuru kumwe n'abamenyeshamakuru muri rusangi.

Mw'ijambo ryiwe ryo kugurura iyo nama, uwo mushikiranganji yaravuze ko Reta y'Uburundi ihimbawe n'ingene abamenyeshamakuru bariko barakorana neza n'inzego zitandukanye. «Ivyo bibonekera mw'itunganywa ry'ibiganiro hagati y'abamenyeshamakuru n'abavugizi b'inzego, mbere n'Umukuru w'igihugu atanga akaryo ko kuganira n'abamenyeshamakuru».

N'ubwo biri uko, uwo mushikiranganji aranegura inyifato y'abavugizi b'inzego bamwe bamwe banka gutanga inkuru canke bakazitanga bigoranye. Akizera ko iyo nama kazoba akaryo keza aho abarongoye ibinyamakuru bazoganira n'abavugizi b'inzego ku ngorane zose zihari mu ntumbero yo gusenyera ku mugozi umwe, bubake igihugu.

Umushikiranganji Leocadie yemereye abari muri iyo nama ko azobafasha muvyo bazokenera vyose mu gushira mu ngiro ivyo bazoba bafunditse muri iyo nama.

**Mélance Ndayikeze**